REPUBLIQUE DU BURUNDI

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
**Secrétariat Général de l'Etat**

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°4 IDASANZWE YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 17 NDAMUKIZA 2023

Inama y'Abashikiranganji idasanzwe yakoranye kuri uyu wa Mbere igenekerezo rya 17 Ndamukiza 2023, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye kw'igenekerezo irya 14 Ndamukiza 2023, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'ibwirizwa rishinga amahera Reta izokoresha mu mwaka w'2023 ushira uwa 2024,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere

Iyo nteguro yari yarizwe n'Inama nshikiranganji kw'igenekerezo rya 05 Ndamukiza 2023, ikaba yari yashikirije ibi bikurikira:

- Kubanza kubangira kuri iyo nteguro kugira itunganywe ukundi gushasha hisunzwe intumbero nshasha y'uko uburyo butegekanywa habanje kwerekanwa umugambi bugenewe;
- Amashirahamwe yose Reta ifisemwo umutahe be n'ingene uwo mutahe ungana vyoboneka muri iyo nteguro ;
- Amahera y'inyungu ku mitahe Reta ifise mu mashirahamwe yose ategerezwa kwerekanwa neza nk'ayazinjira mu kigega ca Reta;
- Uburyo bukoreshwa n'ibisata vyegamiye Reta canke ibikoresha imitahe Reta yabihaye butegerezwa kuboneka mu mahera Reta itegekanya gukoresha.

- Ubutunzi bw'igihugu bwose bwoboneka kuko ni umutahe w'igihugu;

Haciye hashirwaho umurwi w'abahinga mu vy'ubutunzi wotunganya iyo nteguro wisunze izo ntumbero.

Hategekanijwe uburyo butari buke muri iyi nteguro, aha twovuga:

- Imishahara be no gishira mu ngiro umugambi wo kugabanya ubusumbasumbane mu mishahara y'abakozi ba Reta;
- Umugambi wo kwubaka ibarabara ry'indarayi;
- Kuronsa ifumbire abarimyi kuburyo butavuna ;
- Gusanura ikibuga c'indege mpuzamakungu citiriwe Merikiyori NDADAYE ;
- Kwongera uburyo umugambi wo mu bushikiranganji bw'amagara y'abantu ujanye no gutanga akarusho hisunzwe ivyo umuvuzi yaranguye ;
- Ukubeshaho abasirikare n'abapolisi;
- Kugurira igipolisi amakamyo n'ibikoresho vyo gutumatumanako amakuru;
- Umugambi wo guteza imbere urwaruka no kugwiza akazi (PAEEJ);
- Gushigikira imigambi y'iterambere y'amakoperative yo ku mitumba;
- Kwubaka ikigo gipima kikongera kikavura Kanseri.
- Kugurira ibikoresho abajejwe umutekano no kwivuna abansi.

Inama nshikiranganji amaze kwihweza iyo nteguro yasubiwemwo, yarayemeje ica ishikiriza ibi bikurikira:

- Uburyo bwategekanijwe mu bisata bimwe bimwe yokwongerezwa kuko habaye ukwihenda mu guharura, ibindi navyo vyibagiwe bigategekanirizwa uburyo. Navyo ni nk'ibi bikurikira:
    - Imashahara yo mu gisirikare n'igipolisi hisunzwe amategeko mashasha abagenga n'umugambi wo gukura ubusumbasumbane mu mishahara
    - Umugambi wo guteza imbere urwaruka no kugwiza akazi(PAEEJ);
    - Ukugaburira abanyororo;
    - Ukugaburira abanyeshule baba mu ndaro (abo mu bushikiranganji bw'indero n'ubw'amagara y'abantu) no kugurira imodokari amashule amwe amwe;
    - Gusanura ikibuga c'indege mpuzamakungu citiriwe Merikiyori NDADAYE ;
    - Kugurira imodokari zitatu Radiyo na Televiziyo vy'igihugu;
    - Intererano ya Reta mu gutanga umuzibukiro ku hazocishwa amatara mu Ntara ya Kirundo na Muyinga
    - Uburyo bwo gukora ku migwi y'abahinga ishirwaho n'itegeko ry'Umushikiranganji wa Mbere
- Kuduza amahera atozwa mu bikorwa bimwe bimwe hakoreshejwe telefone ngendanwa;

- Urugero rw'amahera ategekanijwe kwinjira avuye mu bitabo vy'inzira bisanzwe, ikarata CEPGL canke murekarengane rwoduzwa;
- Gushiraho ubuhinga bwa none bwo gutoza amahera mu gisata kijejwe uruja n'uruza mu mabarabara;
- Gusubiramwo itegeko nshikiranganji ritunganya isuzumwa ry'imodokari
- Kuduza amahera acibwa uwuteye isanganya mw'ibarabara hamwe bitoba biteye kubiri n'amategeko agenga uruja n'uruza mw'ibarabara;
- Gusubiramwo amategeko agenga ibisata vyegamiye Reta mu ntumbero yo gutorera umuti ikibazo c'inzego nshingwantwaro zitaba zikenewe;
- Gushinga amahera arihwa n'uwononye inyubako rusangi mu kuyigonga;
- Ku mamodokari afise agaciro kadasanzwe (véhicule de luxe) gushinga urugero rw'amahera arihwa hadakoreshejwe ivy'ijana kuko benshi babesha ku biciro vyazo
- Kuduza urugero rw'amahera arihwa kw'iparati y'imodoka n'ipikipiki;

Abashikiranganji vyega basabwe gushiraho ibikenewe vyose kugirango izo ngingo zije mu ngiro.

Ibindi vyashikirijwe ni ibi bikurikira:
- Gushira mu ngiro umugambi wo kwubaka inzu yitiriwe urwaruka rwo muri Afrika ;
- Kuraba neza ko integuro z'amahera azokoreshwa n'amakomine n'ibitaro ata makosa arimwo ;
- Kuraba ko ata buryo bwategekanijwe habiri ni ukuvuga mu bushikiranganji burangurira igikorwa muri komine kanaka, kandi nayo nyene yategekanije uburyo kuri ico gikorwa nyene ;
- Gutangura gushira mu ngiro umugambi wo kugabanya ubusumbasumbane mu mishahara, bishitse hakibonekeza udukosa tuze dukosorwe ;
- Iyandikwa ry'iyi nteguro ryokwisunga ibitegekanywa n'ibwirizwa ritunganya ikoreshwa ry'amahera ya Reta ;
- Abakozi bo mu bushikiranganji bw'ikigega ca Reta bategerezwa kugira akigoro bakamenya neza ubuhinga bwo gutegura amahera azokora habanje kwerekanwa ibizorangurwa (budget-programme) ;
- Kuraba neza ko amahera asabwa ku bikoresho vya Reta atari umurengera, na cane cane kubigurira hamwe kuko bica bizimbuka ;
- Gukurikirana neza amahera mvamakungu yinjira arishwe n'ingenzi ;
- Gukora ibishoboka kugira no mu mwaka w'2024 Uburuni bube :
    - Bufise ihingiriro ry'ivyuma (industrie du fer)

        - Bushorera muri Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo ibizuku bihinguye
        - Buhingura ya mabuye meza meza « marbre » mu rurimi rw'igifaransa
- Guheraheza gutegura imigambi itaronkejwe uburyo hanyuma ishikirizwe, buheze buronderwe (nko mu bushikiranganji bujejwe gutumayumanako amakuru, Ibidukikije, n'Urwaruka) ;
- Gukoresha amahera yagenewe mu kiringo cavyo nk'uko bikwiye, kugirango ntahave asubira iyo yavuye kubera atakoreshejwe.

2. **Indinganizo y'ibikorwa bishigikira imigambi y'iterambere ifatiye k'ukurwanya ubukene,gukinga amatati n'ubugizi bwa nabi ifatwa mu mugongo n'Ibanki y'Isi yose** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere

Uburundi ni umunyamitahe mw'Ibanki y'Isi yose kuva mu mwaka w'1963. Buri mu bihugu bifise uburyo buke, ku bw'ivyo bukaba bushobora kuronka uburyo butandukanye mu migambi ifatwa mu mugongo n'Ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe iterambere (IDA).

Hejuru y'ubwo buryo butangwa n'iryo shirahamwe, ibihugu bikiri mu nzira y'iterambere birashobora kuronka ubundi buryo bushasha, ubwo nabwo bukaba buhabwa ibihugu bike bigira utwigoro mu migambi y'iterambere igwanya ubukene, amatati n'ubugizi bwa nabi. Uburundi nabwo burimwo.

Uburundi rero buhagaze neza kugirango buronswe ubwo buryo kubera icemezo Reta yihaye co gukomeza amahoro biciye mu migambi isanzwe ihari nk'umugambi w'igihugu w'iterambere, umugambi wo kuvyaza umusaruro amahoro, gukomeza imibano myiza no guteza imbere ubutunzi, n'iyindi. Iyo migambi yose isabwa gushigikirwa n'intunganyo y'ibikorwa bizorangurwa. Niyo ntumbero y'iyi ndinganizo.

Uburundi butowe mu bihugu bironswa ubwo buryo, Ibanki y'Isi yose izoca iburonsa amadorari y'abanyamerika agera ku miliyoni ijana na mirongo itanu 150) zo gushigikira ivyo igihugu kiriko kirahindura mu bijanye n'ubutunzi ku kiringo co kuva mu 2023 gushika 2026.
Mu mwaka w'amahera w'2023 ushira uw'2024 Uburundi buzoshobora kuronswa n'imiburiburi imiliyoni mirongo itanu (50) z'amadorari y'abanyamerika.

Inama nshikiranganjji imaze kwihweza iyo ndinganizo y'ibizokorwa, **yarayemeje**, muvyo yashikirije hakaba harimwo ibi bikurikira:
- Kwiga neza ingene Abarundi baba mu mahanga bokwegeranywa bakaba urunani atawukumiriwe kugirango baterere bimwe biboneka mw'iterambere ry'igihugu;
- Kuraba ko iyo ntunganyo yateguwe nk'uko Ibanki y'Isi yose isanzwe ibisaba iyo ishaka kuronsa igishugu mwen'ubwo buryo.

## 3. Utuntu n'utundi

Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu yamenyesheje abashikiranganji ko ingendo bagize mu gihugu hagati mu ntango z'uyu mwaka zabaye ngirakamaro ku benegihugu. Yaciye abasaba gutegura izindi ngendo kugirango basubire bagende bumvirize ibibazo vy'abenegihugu bongere babitorere inyishu. Izo ngendo zoba zahejeje gukorwa imbere y'uko umwaka w'amahera ya Reta w'2023 ushira uw'2024 utangura, ni ukuvuga igenekerezo rya 01 Mukakaro 2023.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 17 Ndamukiza 2023

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE